## Amategeko y'Uburaro Butabera Arakingira abatuye muri New Hampshire

Umushinga w'Ubutabera mu by'Uburaro (HJP) ni gahunda yo Gufasha mu by'Amategeko muri New Hampshire, ishyirahamwe ridaharanira inyungu mu guha ubufasha mu by'amategeko abaturage bo muri New Hampshire babona umusaruro mucye. Intego ya HJP ni gufasha abantu mu bibazo bitandukanye by'uburaro, harimo abantu bakorewe ivangura mu by'uburaro.

Amategeko y'Igihugu n'aya reta mu by'Uburaro Butabera, arashyira imbere guha uburaro abaturage ku rugero rungana. Ayo mategeko atuma bitemerwa gufata umuntu ugutandukanye n'uko ufata abandi mu by'uburaro hitwajwe:

**Ubwoko**
**Ibara (ry'urukoba)**
**Igihugu cy'amamuko**
**Ubumuga**
**Igitsina**
**Idini**
**Imiterere y'Umuryango (Abana mu Muryango)**

Byongeye, itegeko ryo muri New Hampshire ririakingira abaturage bahatuye kuba bakorerwa ivangura hitwajwe:

**Imyaka**
**Irangamimerere**
**Igitsina ushakamo**
**Igitsina wirondora ko uri cyo**

# Umushinga w'Uburaro Butabera wa New Hampshire [New Hampshire Legal Assistance] Ushobora Gufasha

Mu gukomeza aho abantu batuye hafunguye, amategeko y'Uburaro Butabera arabuza imikorere imwe imwe. Ntibyemewe n'amategeko ko bene amazu, bene amashamvu, cyange abatunganya iby'uburaro, abadandaza imitungo ntimukanwa n'abandi barimo ubwabo cyange banyuze ku bandi mu gukodesha cyange kugurisha amazu cyange ibibanza byo kwubakamo amazu gukorera abantu ivangura haba mu:

- **Gutangaza aparitema, inzu cyange ikibanza cyo kwubakamo inzu.**
- **Gukodesha, kugurisha, cyange imishikirano yo gukodesha cyange kugurisha amazu.**
- **Gutanga amahera yo kugura inzu cyange yo kwishura serivisi z'uburanzi bw'inzu.**

Umushinga w'Ubutabera mu by'Uburaro uratanga serivisi zikwirikira:

- **Ikunga mu by'amategeko mu gushyira mu bikorwa amategeko y'Ubburaro Butabera, uhereye mu iperereza/iserangura no gupima ugashitsa mu buserukizi mu manza zo mu butegetsi cyange mu rukiko.**
- **Amakuru, inyigisho no gushikira abaturage aho batuye ku bibazo bijyanye n'Uburaro Butabera.**
- **Kwoherezwa aho bagufasha neza harimo Komisiyo y'Agateka ka Muntu muri New Hampshire [New Hampshire Commission for Human Rights] n'Igisata cya Reta Zunze Ubumwe cy'Uburaro n'Iterambre ry'Imijyi [U.S. Department of Housing and Urban Development].**

Nimba wibaza ko wakorewe ivangura mu by'uburaro, hamagara Housing Justice Project mu misi yo mu cyumweru hagati y'isaha zitatu za mu gitondo (9:000 a.m.) n'isaha icumi n'igice za mugoroba (4:30 p.m.) kugira ngo uvuge ikibazo cyawe mu ibanga ryuzuye.

NEW HAMPSHIRE · LEGAL ASSISTANCE ·

**www.nhla.org**

Umurongo wo guhamagaraho
Fair Housing

1-800-921-1115

EQUAL HOUSING OPPORTUNITY


Umushinga w'Ubutabera mu by'Uburaro wa NHLA [Housing Justice Project] niwo wanditse aka gapapuro wifashishije inkunga iturutse mu Igisata cya Reta Zunze Ubumwe Cyita ku Uburaro na Iterambere ry'Imijyi [U.S. Department of Housing and Urban Development].

United Way Partner Agency

Byasohowe muri Weruwe 2020

New Hampshire Legal Assistance
117 North State Street
Concord, NH 03301

# Uburaro Butabera Bwakinguye Imiryango



**Umushinga w'Ubutabera mu by'Uburaro [Housing Justice Project]**

**Umugambi wa New Hampshire Legal Assistance**